UMUTEKANO MU GUKINGIRA IMPANUKA Y'UMURIRO MU NZU

Norsk brannvernforening

brannvernforeningen.no

UTWUMA TUMENYA AHARI UMWOTSI UTEGETSWE KUBA UFISE



Buri nzu itegetswe kuba irimo vyibuze akuma kamwe kamenya ahari umwotsi kuri buri gorofa. Utwuma tumenya aho umwotsi uva tugabisha hakiri kare igihe hagire habe impanuka y'umuriro. Utegerezwa kuba ushobora kumva akuma kagabisha gakoma induru uri mu`vyumba vyo kuryamamo inzugi zugaye. Za bateri zitegerezwa guhindurwa ubusanzwe rimwe mu mwaka. Utegerezwa kugenzura buri gihe yaba ako akuma kagabisha gakoma induru kumvise umwotsi gakora neza ugafyonda buto y'ukugenzura ingene gakora.

IBIKORESHO VYO KUZIMYA UMURIRO UTEGETSWE KUBA UFISE



Buri nzu itegerezwa kuba ifise ipompo izimya umuriro canke ikizimya muriro. Tuguhanura kubitunga vyose uko ari bibiri. Ibikoresho vyo kuzimya umuriro bitegerezwa kuba hafi. Buri muntu wese uba muri iyo nzu ategerezwa kumenya aho ivyo bikoresho biri. Utegerezwa gusoma amategeko y'ingene bikoreshwa nta gusamara.

GUKINGIRA UMURIRO UBWA 1

Guhoza ijisho ku ziko mu gihe ricanye. Harya hari ikiguhagaritse utetse, Funga udupompo tuzamura gaze. Shirako akuma kagabisha ku mashiga/akuma gafunga kikoresha. Ntusamare igihe umucanwa ufunguye. Kudasiga na rimwe buji yaka mu cumba. Buji zicanye zitegerezwa kuba kure y'ibintu bigurumana. Kumena umunyota ahantu hatekanye. Ntukamene umunyota ushushe aho bajugunya umwanda.

GUKINGIRA UMURIRO UBWA 2

Utegerezwa gufunga imashini ifura impuzu n’imashini yumisha impuzu uvuye i muhira canke ugiye kuryama. Abahinga bo gukora umuyagankuba nibo bonyene bategerezwa gutegura no gusana ibikoresho vy’umuyagankuba. Ibikoresho vy’ukubaka, ibikarato n’ibindi vyasigaye mu gikoni binyanyagiye hafi bikunze kugurumana iyo hari umuntu akongeje umuriro abishaka. Raba neza ko ata bintu bigurumana biri mu nzira y’inganzi ikoreshwa mu guhunga no mu igaraji. Ibintu bajugunyamo umwanda bitegerezwa gushirwa kure y’inyubako.

NI IKI WOKORA HABAYE IMPANUKA Y’UMURIRO

1) GUHUNGA

Raba neza ko buri muntu wese yoshika hanze mu mutekano. Guhunga unyuze mu mwotsi vyotuma upfa. Funga inzugi. Hunga ugana ahantu mwumvikanye mbere ko muzohurira mwese.

2) KUMENYESHA

Kumenyesha serivisi ijejwe impanuka z’umuriro uterefonye nomero yihutirwa 110. Vuga neza aho inyubako yagize impanuko y’umuriro yubatse.

3) KUZIMYA

Harya umuriro utari mwinshi cane, gerageza gusohora ipompo izimya umuriro canke ikizimya umuriro. Ntushire ubuzima bwawe mu ngorane. Umwotsi ubamwo ubumara bwica cane.

Itohoza ukora ingene ibintu bimeze niryo rizakwereka ibikorwa utegerezwa kurangura ingene bikurikirana. Birahambaye kuba ufise taburo y’ingene akazi kagenywe, kugira buri wese amenye ico ategerezwa gukora.

GUKUMIRA KU BANA IBIKOMERE VYOBA BITURUTSE K'UBUSHE



- Ntunywe ibinyobwa bishushe mugihe wonsa canke uteruye ikibondo
- Raba neza ko abana badashobora kugera mu bibanza birimo umurimo nk'umuringoti w'umwotsi, ivyuma b'ishusha, ibihindura ubushuhe, ifuru, n'ibindi n'ibindi.
- Cunge neza ubushuhe bw'amazi yo m'ubwogero kandi umenye neza yuko abana badashobora kugurura amazi ashushe. Tunganya neza igipimo c'ubushuhe c' icuma gitanga amazi ashushe.

GUKUMIRA KU BANA IBIKOMERE VYOBA BITURUTSE K'UBUSHE



- Gerageze abana mubashire kure y'inkono, (etc: n'ahandi n'ahandi)
- Mubizamazi - raba neza aho ushira mubizamazi hamwe n'umugozi wayo w'umuyagankuba.
- Muracunge neza imeza n' ibitambara vyazo hamwe n'ibikombe vyo kunyweramo agahawa bishushe, amabuji, (etc: n'ibindi n'ibindi). Abana bashobora kuvyitako

MU GIHE UMWANA YAHIYE



- Kanyishe aho yahiye ukoresheje amazi afise ubushuhe bungana na degere Celsius 20 mu kiringo kingana n'iminota 20 mu gihe mwiketse yuko ubushe buhambaye cane.

KWIBUKA: 20 - 20

Iyi nyandiko iboneka mu ndimi zirenga 30 ziri ku rubuga ngurukanabutumwa bw’Ishirahamwe rya Noruvege Rijejwe Gukingira Impanuka z’Umuriro: www.brannvernforeningen.no/brannsikker